CONFERENCE
DES EVEQUES CATHOLIQUES
DU BURUNDI

**Secrétariat Général**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B' I BURUNDI KU MATORA YABAYE IGENEKEREZO RYA 5 RUHESHI 2025

Twebwe Abungere tugize Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi,

1. Nk'uko twahora tubigira, n'ubu twararungitse abarorerezi mu matora y'abashingamateka n'ay'abajenama ba Komine, yabaye kw'igenekerezo rya 5 Ruheshi 2025. Naho batakwiye ku biro vyose vy'amatora, barashitse mu ntara zose no mu makomine yose. Bariboneye ivyabaye ku biro vy'amatora 2400, akaba ari ibice mirongo itatu kw'ijana vy'ibiro vy'amatora mu gihugu cose. Kubw'abahinga mu vyerekeye amatora, ivyo bice ni urugero rukwiye kugira ngo umuntu ashobore kugira ico avuze ku kuntu amatora yagenze.
2. Dufatiye ku vyo biboneye, turemeza ko muri rusangi amatora yabaye mu mutekano, kandi abantu barayitavye. Vyongeye umugwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora wagumye ukurikirana uko amatora ariko aragenda, bikenewe ukibutsa intumbero ijanye n'amategeko.
3. Ariko hari n'ibitagenze neza babonye. Muri ivyo twovuga nk'ibi:
   - Hari ibiro vy'amatora vyuguruwe imbere y'isaha itegekanijwe n'amategeko, abaserukira abitoza n'abarorerezi batarashika ngo bibonere ko amasandugu agaragara kandi bumve ingene abahagarariye amatora barahira ;
   - Hari aho ibiro vy'amatora vyuguruwe kw'isaha, mugabo abaserukira abitoza n'abarorerezi bakabanza gutaramurwa, hanyuma binjijwe bagasanga amasandugu ari mu kwuzura ku buryo butangaje.
   - Hamwe hamwe abahagarariye amatora ntibubahirije ukudahengama kwabwirizwa kuranga abari mu mugwi wigenga w'amatora: nko mu

Bd de l'Uprona 5 – B.P. 1390 Bujumbura – Burundi – Tél (+257) 22223263 – Fax (+257) 22223270
E-mail : cecabs@yahoo.fr Site Web: www.eglisecatholique.bi

guhatira abandi gutora aho bo bipfuza, kubatorera ku gahato canke kubaherekeza mu bwiherero bw'amatora.

- Hari aho barekurira bamwe bamwe gukoresha amakarata menshi, bamwe bagatora bisubiriza, abandi bagatorera abatabatumye.
- Hari bamwe mu baserukira abitoza no mu barorerezi batswe uburenganzira bahabwa n'amategeko, uri abataramurwa, uri abankirwa kwinjira mu biro vy'amatora. Hari rero n'abarorerezi bategekwa gushira igikumu ku vyegeranyo kandi batabirekuriwe n'amategeko.
- Hari aho batemereye abaserukira abitoza gukurikirana ingene amajwi aharurwa kandi babifitiye uburenganzira.

4. Dufatiye kuri ivyo tuvuze mu vyo abarorerezi bacu babonye bitagenze neza, turabona ko impinga ikiri ndende mu vyo gutunganya neza amatora, kandi turibaza nimba bidatosekaza ibiharuro bitangazwa.
5. Duhamagariwe rero kwikebuka tugatumbereza neza ingene dutegera intwaro rusangi, ngo dushobore gutosora ingendo y'amatora haba mu vy'amategeko ayagenga, no mu nzengo ziyatunganya.
6. Uwo mwizero w'uko twoteba tugashika ku matora atagira akanenge, ni udutume tuguma twitwararitse gushira imbere kwubakira ku kuri, ku butungane, ku rukundo n'amahoro.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 10 Ruheshi 2025.

Abungere b'Ekleziya Gatolika b'i Burundi.

✠ Bonaventura NAHIMANA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Gitega,
akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika
b'i Burundi

✠ Gerevazi BANSHIMIYUBUSA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Bujumbura

✠ Yohakimu NTAHONDEREYE
Umwungere wa Diyosezi ya Muyinga

✠ Buraziyo NZEYIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ruyigi

✠ Joriji BIZIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ngozi

✠ Emanuweli NTAKARUTIMANA
Umwungere wa Diyosezi y Bubanza

✠ Lehonidasi NITEREKA
Umwungere wa Diyosezi ya Rutana

Musenyeri Grasiyano NIYUHIRE
Icariho gikuru c'Umwungere wa Diyosezi
Ya Bururi